"Iremwa ry'umwe wese muri mwebwe riba mu kwiyegeranya kw'intanga mu gitereko ca nyina mu kiringo c'imirango mirongo ine n'amajoro mirongo ine

Mu vyakiriwe na Abu Abdu Al-Rahmani mwene Abdullahi mwene Mas'uudi (Imana Allah Imwishimire) yavuze ati: "Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) Imvugakuri Mudahinyuzwa, yaratwiganiye iti : "Iremwa ry'umwe wese muri mwebwe riba mu kwiyegeranya kw'intanga mu gitereko ca nyina mu kiringo c'imirango mirongo ine n'amajoro mirongo ine, hanyuma nya muntu akaba akamanyu k'amaraso avuze mu kiringo nk'ico nyene c'imisi mirongo ine, hanyuma akaba akamanyu k'inyama mu kiringo nk'ico nyene c'imisi mirongo ine, hanyuma akarungikirwa umumalayika, maze agahabwa n'Imana Allah uburenganzira bw'ukwandika amajambo ane ku bizomushikira vyose, agaheza rero akandika: Ibizomubeshaho, imyaka azobaho, ibikorwa azokora, n'uko rero azobaho mu magorwa canke mu mahirwe, agaheza agaca amuhuhiramwo inkomoko y'ubuzima "Roho". Ni ukuri rero, ndarahiye kw'izina ry'urya ata yindi mana ihari atari Yo, ko mu vy'ukuri umwe wese muri mwebwe hari igihe bishika agakora igikorwa c'abantu bo mu Bwami bw'ijuru kugeza n'aho ata gisigaye kiri hagati yiwe n'Ubwami bw'ijuru ngo abushikire, kiretse intambwe nto ireha n'uburebure bw'ukuboko gushika mu nkokora, yamara ivyanditswe kuri we bikitangiza imbere bikamuciramwo, maze agakora igikorwa c'abantu bo mu muriro, agasanga awinjiyemwo ukwo. Ni ukuri, hari n'igihe umwe muri mwebwe akora igikorwa c'abantu bo mu muriro, kugeza n'aho ata gisigaye kiri hagati yiwe n'umuriro ngo awinjiremwo, kiretse intambwe nto ireha n'uburebure bw'ukuboko gushika mu nkokora, yamara ivyanditswe kuri we bikitangiza imbere bikamuciramwo, maze agakora igikorwa c'abantu bo mu Bwami bw'ijuru, agasanga abwinjiyemwo ukwo"".

[صحيح] [رواه البخاري ومسلم]

Mwene Mas'uudi yavuze ati: Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaratwiganiye ikaba ari na yo mvugakuri mu vyo ishikiriza, ikaba Mudahinyuzwakuko ishigikiwe n'Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere mu vyo ivuga; yavuze iti: "Mu vy'ukuri iremwa ry'umwe wese mu muri mwebwe, riba mu kwegeranya intanga, ku buryo iyo umugabo aranguranye amabanga y'abubatse n'umukenyezi wiwe asesera intanga ziwe zigasanzara mu gitereko, maze zikegeranywa muri nya gitereko zikaba ima rimwe ry'intanga mu kiringo c'imisi mirongo ine, hanyuma nya ma ry'intanga rigacika akamanyu k'amaraso avuze (aremye) mu kindi kiringo kigira kabiri c'imisi mirongo ine, hanyuma ka kamanyu k'amaraso avuze kagacika akamanyu k'inyama kangana n'inyama umuntu yosemura n'amenyo, ivyo bikagirwa mu kindi kiringo ca gatatu c'imisi mirongo ine, ico kiringo kigira gatatu rero kirangiye, mu nyuma Imana Allah Ica Imurungikira umumalayika agahuhira muri

nya kamanyu k'inyama inkomoko y'ubuzima "Roho", agategekwa n'Imana Allah kwandika amajambo ane ku vyagezwe kuri we, na yo akaba ari: Ibizomubeshaho, na vyo bikaba ari birya vyose bijanye n'inema azoronka mu buzima bwiwe bwose, 2. Imyaka azobaho, na co kikaba ari kirya kiringo c'imyaka azobaho kw'isi. 3. Ibikorwa azokora ivyo ari vyo. 4. Harandikwa n'uko rero azobaho mu magorwa canke mu mahirwe. Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) mu nyuma yararahiye ko mu vy'ukuri umuntu ashobora gukora ibikorwa vyiza vy'abantu bo mu Bwami bw'ijuru mu vyo abantu bibaza (bibonera n'amaso yabo), agashishikara ukwo, kugeza n'aho ata gisigaye kiri hagati yiwe n'Ubwami bw'ijuru ngo abwinjire (ata kintu na kimwe cotuma atabwinjira), kiretse intambwe nto ireha n'uburebure bw'ukuboko gushika mu nkokora, bisigura ko ata kiba gisigaye ngo ashikire Ubwami bw'ijuru kiretse intambwe ntoya cane umuntu yogereranya n'uburebure bw'ukuboko gushika mu nkokora; kugira ashike iyo aroye, yamara rero hagaca higanza ivyanditswe vyagezwe kuri we, bikitanganiza imbere, ico gihe agasanga asozereye ubuzima bwiwe mu gukora ibikorwa vy'abantu bo mu muriro, agaca awinjira; kuko igisabwa kugira igikorwa cemerwe, ni ukwamizako igikorwa ata guhesha gushika gupfa. Hakaba rero n'uwundi muntu ashobora gukora ibikorwa bibi vy'abantu bo mu muriro mu vyo abantu bibaza (bibonera n'amaso yabo), agashishikara ukwo kugeza n'aho ahakwa kwinjira mu muriro, nk'aho hagati yiwe n'umuriro hoba hasigaye intambwe ntoya cane ireha n'uburebure bw'ukuboko gushika mu nkokora, kugira umuntu ashike iyo aroye, yamara hagaca higanza ivyanditswe vyagezwe kuri we bikitanganiza imbere, ico gihe agasanga asozereye ubuzima bwiwe mu gukora ibikorwa vyiza vy'abantu bo mu Bwami bw'ijuru, agaca abwinjira.

http://www.sunnah.global/hadeeth/rn/show/66513